REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

## ITANGAZO

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora (CENI), uramenyesheje abenegihugu bose biyandikishije mu gihe c'amatora y'ibwirizwa nshingiro mu 2018, n'abaheruka kwiyandikisha mu kwezi kwa kigarama 2019, ko igikorwa co gutanga amakarata y'amatora mashasha kuri abo bose, ko kizotangura ku musi wa kane igenekerezo rya 30 ndamukiza gushika ku musi wa mbere itariki 4 rusama 2020.

Ayo makarata y'amatora bazoyatora kuva isaha imwe n'igice zo mu gitondo gushika isaha cumi n'imwe n'igice z'umuhingamo mu bibanza biyandikishirijemwo. Ico gikorwa bazogifashwamwo n'abakozi ba CENI bazoba bari muri ivyo bibanza. Kizokurikiranirwa hafi n'abakozi ba CENI ku rwego rwa komine (CECI) n'abo ku rwego rw'intara (CEPI).

Umurwi CENI ukaba umenyesheje abiyandikishirije mu mahanga igihe co gutora ibwirizwa nshingiro boba baratashe mu Burundi, ko amakarata yabo mashasha bazoyatora ku biro bikuru vy'umurwi CENI.

Ariko rero, ibiri muri iri tangazo ntivyerekeye abasirikare bari mu gikorwa co kugarukana amahoro mu bihugu vyo hanze mu gihe c'itora ry'Ibwirizwa nshingiro ubu batahutse mu Burundi, kuko ababakurira bazobamenyesha ukugene ivyabo bitunganijwe.

Bigiriwe i Bujumbura, kuwa 29 ndamukiza 2020

**Dr Pierre Claver KAZIHISE**
**Umukuru w'umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora CENI**